# الفقه

# FIQHU

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

## FIQHU = الفقه

### *UBUSHURASHUZI (ZINAA)* = الزنا

Ijambo ubushurashuzi mu mvugo: Ni uguhuza ibitsina n'umugore mutubakanye mu mategeko.

Muri Islamu naho: Nu uguhuza ibitsina hagati y'umugabo n'umugore atari rwiwe mu bwambure imbere canke inyuma.

**AMATEGEKO AJANYE N'UBUSHURASHUZI:**

Ubushurashuzi buraziririjwe muri Islamu, kandi ni mu vyaha bikuru bikuru.

قال الله تعالى: " ولا تقربوا الزنا، إنه كان فاحشة وساء سبيلا ". الإسراء 32.

***Insiguro:*** Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: { Kandi ntimukiyegereze ubusambanyi, kuko ari ikintu kibi (kigayitse) kandi ikaba n'inzira mbi }. Israi; 32.

ولحديث ابن مسعود رضي الله عنه قال: سألت رسول الله ﷺ عن أي الذنب أعظم، قال: (( أن تجعل لله ندا وهو خلقك )). قلت: ثم أي؟ قال: (( أن تقتل ولدك خشية أن يطعم معك )). قلت: ثم أي؟ قال: (( أن تزن خليلة جارك )). رواه البخاري ومسلم.

No mu nyigisho yashikirijwe na Mwene Masudi (Imana Imwishimire), avuga ati: Narabajije Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) kuvyerekeye igicumuro gihambaye gusumba? Intumwa yishura Iti: (( Ni ukubangikanya Imana n'ikindi kintu kandi Ariyo Yakuremye )). Ndavuga nti: Ikindi naco? Ivuga Iti: (( Ni ukwica umwana wawe utinya ko mufungura hamwe )). Nongera ndavuga nti: Ikindi naco ? Ivuga Iti: (( Ni ugusambana n'umukenyezi w'umubanyi wawe )). Yakiriwe na: Bukhari na Muslim.

Kandi n'abamenyi b'Idini baravyumvikanye yuko ubushurashuzi ari ikizira (Haraam).

## INGARUKA MBI Z'UBUSHURASHUZI:

Ubushurashuzi ni mu vyaha bihambaye bibi kandi bitera isoni, kikagira n'ingaruka mbi kenshi ku muntu no mu muryango bivanye n'inkurikizi zo kuvanga amaraso, bigatuma abantu babura indero nziza no kwonona ingeso z'abana.

Kuko mu bushurashuzi hashobora kuboneka imbanyi, ugasanga umugabo arera umwana atari rwiwe.

Ingaruka z'ubushurashuzi rero ni nyinshi cane, harimwo n'indwara zifatira mu bihimba vy'irondoka, zotuma n'ubuzima bwiwe buhera, tutibagiye kandi kwonona amatungo.

Hari inyigisho y'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ivuga iti: (( Abantu nibamara kumenyera ubushurashuzi, bakarushiriza kubukora ku mugaragaro, Imana Allah Izobateza indwara z'ikiza zitigeze zishikira ababatanguriye )).

## IGIHANO C'ABASHURASHUZI:

***Umushurashuzi ari mu bwoko bubiri:***

1. Hariho uwubatse urwiwe (yagize ubugeni)
2. Hakabaho n'uwutarubaka urwiwe.

## IBISABWA KU MUSHURASHUZI YARI YUBATSE KUGIRA NGO IGIHANO KIMUFATE:

a) Abe yahuje igitsina n'umugore mu bwambure bw'imbere.
b) Kuba yari yarubatse biciye mu mategeko.
c) Uwo mukobwa n'umuhungu bashurashuye, babe bahuje ibitsina barashitse mu bigero kandi babe bafise n'ubwenge.

## 1- IGIHANO C’UMUSHURASHUZI YUBATSE NI UGUTERWA AMABUYE GUSHIKA APFUYE:

Inyigisho (Hadithi) yashikirijwe na Abou Huraira (Imana Imwishimire), ivuga iti: Haraje umugabo w’Umwislamu ku Ntumwa y’Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n’imigisha) asanga y’Imana iri mu musigiti, maze nya mugabo ahamagara Intumwa ayibwira ati: “Ewe Ntumwa y’Imana! Mu vy’ukuri nasambanye” Intumwa y’Imana (Imana Iyihe amahoro n’imigisha) iramwirengagiza gushika yaho asubiramwo incuro zine. Mu gihe amaze kuvyiyemerera incuro zine ko yasambanye, Intumwa y’Imana (Imana Iyihe amahoro n’imigisha) yaramuhamagaye wa mugabo imubaza iti: (( Mbega urasara ))? Wa mugabo nawe ati: “ Oya” Intumwa iti: (( Urubatse ))? Wa mugabo ati: “Ego me”. Intumwa iti: (( Ni mumujane mu mutere amabuye )). Yakiriwe na: Bukhari.

## 2- IGIHANO C’UMUSHURASHUZI ATUBATSE ( ATARAGIRA UBUGENI) :

Igihano c’umushurashuzi atarubaka urwiwe, ni ugukubitwa ibimoko ijana (inkoni 100) hamwe no kwirukanwa mu gihugu.

قال الله تعالى: " الزانية والزاني فاجلدوا كل واحد منهما مائة جلدة ". النور 2.

Imana Allah Ivuga Iti: { Umushurashuzi w’umukobwa n’umushurashuzi w’umuhungu, umw’umwe wese muri bo, mumukubite ibimoko (inkoni) ijana }. Nuur; 2.

عن عبادة ابن الصامت رضي الله عنه قال: قال رسول الله ﷺ: (( خذوا عني خذوا عني، فقد جعل الله لهن سبيلا، البكر بالبكر جلد مائة ونفي عام )). رواه البخاري.

Nk’uko yashikirijwe na Ubbada mwene Swamit (Imana Imwishimire) yavuze ko Intumwa y’Imana (Imana Iyihe amahoro n’imigisha) yavuze iti: (( Nimwakire iwanje, nimwakire iwanje! Mu vy’ukuri Imana Allah Yabagiriye inzira (abakobwa) isugi kw’isugi gukubitwa ibimoko ijana no kwirukanwa ikiringo c’umwaka )). Yakiriwe na: Bukhari.

3- **IGIHANO C'UMUSHURASHUZI W'UMUJA YUBATSE CANKE ATUBATSE, NI UGUKUBITWA IBIMOKO MIRONGO ITANU (INKONI 50):**

قال تعالى: " فإن أتين بفاحشة فعليهن نصف ما على المحصنات من العذاب " النساء 25.

Imana Allah Ivuga Iti: { Nibakora ubuhumbu, baronke igihano kingana n'igice c'uwubatse (yidegemvya) }. Nisai; 25.

Igihano kivuzwe ngaho kuri uwo murongo, ni ugukubitwa ibimoko ijana (inkoni 100). Ico gice rero kiva muri ico gihano, gica kiba; Ibimoko mirongo itanu (inkoni 50), kuko ico gitigiri arico gishobora kugaburikamwo kabiri, mugabo kucishwa amabuye ntivyogaburika.

N.B.: Kandi umuja ntiyirukanwa mu gihugu, kuko ata nyigisho yemeza (dalili) ko yokwirukanwa. Ikindi naco n'uko n'iyirukanwa haca hibonekeza ingaruka mbi kuri sebuja wiwe.

* **UMUSHURASHUZI AMENYEKANA GUTE KO YASHURASHUYE ?:**

Umushurashuzi ntashobora kumenyekana ko yashurashuye, kiretse ku kintu kimwe muri ibi bibiri:

1) Uwashurashuye kuvyemanga ubwiwe incuro zine, naho vyoba ku mwanya utandukanye canke ahantu hatandukanye.

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yemeye Maizi hamwe na Ghamidiya ko bashurashuye ari uko bemanze incuro zine.

Igituma bisaba kwemanga incuro zine, n'uko Maizi yemanze incuro zitatu imbere y'Intumwa, maze Intumwa iramwankira, igihe yemanze incuro igira kane yaciye ajanwa guhanwa.

Kandi ategerezwa gushira ahabona ukuntu yakoze ico gikorwa c'ubushurashuzi, kumbure hari igihe atoba ashaka kuvuga ubusambanyi nyezina aribwo bwo

kwinezereza butuma umuntu ahanwa. Kuko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yabwiye Maizi iti: (( Iyumvire neza, ntube wakojeje umunwa wawe ku munwa wiwe canke wamudigadize )). Maizi nawe ati: Oya! Yarasubiyemwo kugaragaza incuro nyinshi gushika naho amakenga ahera ku Ntumwa.

Kandi hategerezwa kwemezwa neza ivyo yemanze yuko arivyo koko kugirango ahanwe hakurikijwe amategeko ntahave yivuguruza.

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), yabajije Maizi incuro nyinshi kugirango arabe ko yokwivuguruza ku vyo yemeye canke.

Maizi baramuteye amabuye gushika naho yiruka baramukurikirana bamutera baramwica. Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yaciye ivuga iti: (( Kubera iki mutamuretse (igihe yari yirutse) ))?.

2- KUBONWA N'IVYABONA BINE:

قال تعالى: " لولا جاؤوا بأربعة شهداء " النور 13.

Imana Allah Ivuga Iti: {{ Iyo baza kuzana ivyabona bine }}. Nour; 13.

وقال تعالى: " فاستشهدوا عليهن أربعة منكم ". النساء 15.

Kandi Imana Allah Ivuga Iti: {{ Vyemezwe n'ivyabona bine muri mwebwe }}. Nisai; 15.

- **IVYO VYABONA NAVYO KUGIRANGO VYEMERWE BITEGEREZWA KUBA BIKWIJE IBI BIKURIKIRA:**

a) Bibe ari bine, nkuko izo Ayat zo muri Koroani zivyemeza, musi y'abo bane ntibemewe.
b) Babe bakuze bafise ubwenge.
c) Babe ari abagabo gusa b'intungane.
d) Bavuge uko babibonye; "Twasanze igitsina c'umugabo kiri mu gitsina c'umugore".
e) Babe ari Abaislamu.
f) Bahuze imvugo kandi bavugire ahantu hamwe, bose bari hamwe canke umw'umwe.

**UBUSUMA** :السرقة

**INSIGURO Y'IJAMBO UBUSUMA:**

1) Gutwara amatungo y'uwundi.
2) Gutwara amatungo y'uwundi aho abitswe winyegeje.

**IBICE BIGIZE UBUSUMA NI BIBIRI:**

1- Ubusuma bw'igihano coroshe.
2- N'ubusuma bw'igihano co gucibwa ukuboko.

Ubusuma bw'igihano coroshe: Ni bwa busuma bwo kwiba ikintu kidafise urugero rwotuma acibwa ukuboko.

Nayo ubusuma butuma ahabwa igihano co gucibwa ukuboko: Ni bwa busuma bwo kwiba ikintu winyegeje canke ku nguvu, ivyibwe bikaba bifise agaciro ku rugero rutuma acibwa ukuboko.

قال تعالى: " والسارق والسارقة فاقطعوا أيديهما جزاء بما كسبا نكالا من الله، والله عزيز حكيم ". المائدة 38.

Uwuhoraho Imana Allah Avuga Ati: {{ Umusuma w'umugabo n'umusuma w'umugore, mubace amaboko yabo, iyo niyo mpera y'ivyo bakoze, ni igihano c'Imana Allah, kukaba nkako Imana Niyo Nyeninguvu, Nyenubutungane }}. Maida; 38.

- **IBISABWA KUGIRA UWIVYE ACIBWE UKUBOKO:**

1- Kuba akuze.
2- Kuba yabishaka.
3- Ntihabe amakenga.
4- Ivyibwa bibe bifise agaciro k'urugero rwo gucibwa ukuboko.

5- Haboneke ivyabona bibiri vy'intungane.
6- Kuvyemanga.
7- Kuvyemanga imbere y'ubucamanza (y'ubutungane) kandi bikaba vyari bibitswe neza.

- **URUGERO RUTUMA UMUNTU ACIBWA UKUBOKO IYO YIVYE:**

Abamenyi mu vy'idini bavuze yuko ari ica kane ¼ c'amahera yitwa Idinari (akorwa mu nzahabu), canke amahera atatu yitwa Idirihamu (akorwa mu mwakaka), canke amahera angana n'izo nzahabu canke uwo mwakaka.

عن عائشة رضي الله عنها قالت: قال النبي ﷺ: (( تقطع اليد في ربع دينار فصاعدا )). متفق عليه.

Nk'uko yashikirijwe na Aisha (Imana Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze Iti: (( Umuntu acibwe igikonjo yivye ica kane c'Idinanri n'ibirenga aho )). Bayihurijeko bose: Bukhari na Muslim.

- **ACIBWA HEHE, UKUBOKO UKUHE?**

Acibwa igikonjo c'ukuboko k'ukuryo, asubiye kwiba bakamuca ukuguru k'ukubamfu.

- **MBEGA VYOBA BIREKURIWE GUSABIRA IKIGONGWE KU BIHANO VY'IMANA VY'UBUSUMA CANKE GUHA UWIVYE IVYO YARI YIVYE?**

1- Ikigongwe ku gihano co kwiba ntikirekuriwe no kubindi bihano mu gihe Imamu (umucamanza mukuru) yamaze kubimenya no gushikirizwa urwo rubanza.

Ivyo tubisanga mu nyigisho y'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), aho yabwira Usama mwene Zaidi mu gihe yarashatse gusabira ikigongwe umugore wo mu bwoko bw'Abamakhzumiyya yari yivye: (( Mbega ni kuki ushobora gusabira ikigongwe  ku gihano mu bihano vy'Imana ))?.

2- Guha umusuma (kumuhebera) ivyo yivye no kumugirira imbabazi birarekuriwe n'amategeko muri Islamu, mu gihe atarashikanwa imbere y'ubutungane, ariko amaze gushikanwayo ntibiba bigikunze.

Ivyo navyo tukaba tubisanga mu nyigisho yashikirijwe na Swafwani mwene Umaya, ku musuma yari yivye ishuka yiwe yari yiseguye, rero aho amariye gushikanira urubanza rwiwe ku Ntumwa no gucibwa urubanza rw'uko acibwa ukuboko, Swafwani yaciye avuga ati: '' Ewe Ntumwa y'Imana! Ni gwiwe ''. Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ica ivuga iti: (( Ivyo vyari kuba imbere yuko umushikana iwanje )).

## **ABAGIZI BA NABI:**المحاربون أو قطاع الطريق

Abo bagizi ba nabi, n'abantu bategera abandi mu nzira canke mw'ishamba ku mugaragaro ku mvo yo kubanyaga utwabo canke kubagirira nabi, nko kubagandagura canke kubakorera ivyamfurambi, kandi kenshi baba bitwaje ibirwanisho.

قال الله تعالى: " إنما جزاء الذين يحاربون الله ورسوله ويسعون في الأرض فسادا، أن يقتلوا أو يصلبوا أو تقطعوا أيديهم وأرجلهم من خلاف أو ينفع من الأرض، ذلك لهم خزي في الدنيا، ولهم في الآخرة عذاب عظيم ". المائدة 33.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Mu vy'ukuri igihano c'abagwanya Imana Allah n'Intumwa Yayo, kandi bagakwiza ubwononyi kw'isi: Ni ukwicwa canke kubambwa (kumanikwa) canke gucibwa amaboko n'amaguru yabo gihushane canke birukanwe mu gihugu. Uko niko gusuzugurika kw'isi, kandi no ku musi w'umuhero bazoronka ibihano bihambaye }}. Maida; 33.

## **IBIHANO BITEGEKANIJWE KU MUGIZI WA NABI:**

Ibihano vy'abagizi ba nabi, biratandukanye bivanye n'ubusumbane bw'ivyaha vyabo baba bakoze nk'uko bikurikira:

a) Uwishe agatwara n'amatungo: Uyu igihano ciwe, ni ukwicwa no kumanikwa, kugira ngo ivyo yakoze bimenyekanye. Kandi nta kigongwe agiririrwa nk'uko abamenyi mu vy'idini bavyumvikanyeko.
b) Uwishe gusa adatwaye amatungo: Igihano ciwe, ni ukwicwa gusa, ntabambwa.
c) Uwutwaye amatungo atishe: Igihano ciwe, ni ugucibwa ukuboko n'ukuguru kwiwe gihushane ku mwanya umwe.
d) Uwutera ubwoba abantu ativye canke ngo yice: Igihano ciwe n'ukwirukanwa hanze y'igisagara abamwo.

**IBISABWA KUGIRA NGO AHANWE N'IBI BIKURIKIRA:**

1- Abe akuze, afise ubwenge.
2- Anyaga ku mugaragaro.
3- Abe azwi ko ari umugizi wa nabi, avyemanze canke abe azwi n'amasura (ivyabona) babiri b'intungane.
4- Ivyo atwaye abe abikuye mu minwe ya nyenevyo.

**IGIHANO C'UMUGIZI WA NABI, GISHOBORA KUMUVAKO RYARI?**

Igihano c'umugizi wa nabi, gishobora kumuvako; mu gihe yigaye ku Mana bataramufata no kumushikana imbere y'ubutungane, aho ni nko guhunga canke yinyegeje akihana.

قال الله تعالى: " إلا الذين تابوا من قبل أن تقدروا عليهم، فاعلموا أن الله غفور رحيم ". المائدة 34.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Kiretse abigaye imbere yuko mubafata, mumenye ko Imana Allah Ari Yo Nyenimbabazi Nyenimpuhwe }}. Maida; 34.

**GUHOHOTERA ICUBAHIRO:**

Guhohotera icubahiro biri mu bice bitatu:

- الغيبة:

1- Insaku (kuvuga umuntu atahari) ibitamushimisha, ku neza canke ku ntabi.

- النميمة:

2- Irementanya ( kugenza amajambo) kugira ngo uteranye abantu.

- القذف:

3- Ukwagirizanya ubusambanyi kandi ubesha.

**KUVYEREKEYE INSAKU:**

قال الله تعالى: " يا أيها الذين آمنوا اجتنبوا كثيرا من الظن إن بعض الظن إثم، ولا تجسسوا، ولا يغتب بعضكم بعضا، أيحب أحدكم أن يأكل لحم أخيه ميتا فكرهتموه، واتقوا الله، إن الله تواب رحيم ". الحجرات 12.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Emwe abemeye! Ni mwirinde cane ukwikeka nabi kuko imwe mu myikeko ni igicumuro, kandi mwirinde gusuma insaku, munirinde kuvuga insaku, mbega umwe muri mwebwe yokwipfuza kurya inyama ya mwene wabo yapfuye, ihibambewe! Mwovyanka, rero ni mutinye Imana Allah, mu vy'ukuri Imana Allah Niyo Yakira ukwigaya (kwanyu) ni Nayo Nyenimbabazi }}. Alhujurat; 12.

**UKWAGIRIZANYA UBUSAMBANYI ATA VYEMEZO:**

قال الله تعالى " إن الذين يرمون المحصنات الغافلات المؤمنات، لعنوا في الدنيا والآخرة، ولهم عذاب عظيم ". النور 23.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Ata gukeka, ababeshera abagore biyubashe, bintungane kandi bemera Imana, abo baravumwe kw'isi no mu buzima budahera, kandi bazoronka ibihano bihambaye }}. Nour; 23.

**IBIHANO BITEGEKANIJWE KUWAGIRIJE UBUSAMBANYI UWUNDI:**

قال الله تعالى: " والذين يرمون المحصنات ثم لم يأت بأربعة شهداء فاجلدوهم ثمانين جلدة، ولا تقبلوا لهم شهادة أبدا، وأولائك هم الفاسقون ". النور 4.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Na bamwe babeshera abagore biyubashe (ngo barenze ibigo) maze ntibazane ivyabona bine, ni mubakubite inkoni mirongo umunani, kandi ntimuzosubire kubemerera kuba ivyabona na rimwe kuko ari abanyavyaha }}. Nour; 4.

**IBIHANO VY'UWAGIRIJE UWUNDI UBUSAMBANYI:**

Ica mbere: Gukubitwa ibimoko mirongo umunani -1 k'uwidegemvya, k'uwuri mu buja, akubitwa ibimoko mirongo ine, yaba umugabo canke umugore.

Ica kabiri: Ugukurwako icizere.

Ica gatatu: Kuba ikivume kw'isi no ku musi w'umuhero.

Ica kane: No guharurwa mu bononyi.

**INTUMBERO NYAMUKURU Y'IGIHANO CO KWAGIRIZANYA UBUSAMBANYI:**

Ni ukubaka neza umuryango no gukingira urupfasoni canke icubahiro c'abantu no gukura imvugo mbi hamwe no kwugara canke (kuzibira) inzira zo gukwiragiza ikibi hagati y'abemera.

**IBISABWA KUGIRA NGO IGIHANO GIFATE UWAGIRIZANYA UBUSAMBANYI N'IBI BIKURIKIRA:**

***Ica mbere:*** Gisabwe na nyene kwagirizwa.

***Ica kabiri***: Uwagirije uwundi, mu gihe atazanye ivyabona kugira ngo vyemezwe ivyo yagirije uwundi.

***Ica gatatu***: Uwagirijwe abe atemera ivyo bamwagiriza canke ngo avyemere.

***Ica kane:*** Uwagirije uwundi n'uwagirizwa ntibabe barahiye ku vyo bagirizanya.

**UWAGIRIJE UWUNDI KUGIRA NGO AHANWE, ATEGEREZWA KUBA:**

***Ica mbere***: Abe akuze.

**Ica kabiri**: Abe afise ubwenge.

***Ica gatatu***: Abe yabikoze abishaka.

***Ica kane***: Abe azi yuko bizirirjwe.

***Ica gatanu:*** Ntabe umuvyeyi w'uwagirizwa.

**UWAGIRIJWE (UWABESHEWE) NAWE ATEGEREZWA KUBA:**

***Ica mbere:*** Abe ari Umwislamu.

***Ica kabiri:*** Abe akuze.

***Ica gatatu***: Abe afise ubwenge.

***Ica kane***: Abe yidegemvya.

***Ica gatanu***: Abe atazwiko ingeso z'ubusambanyi.

* **AMWE MU MATEGEKO AJANYE N'IBIRIBWA:**

Ibiribwa biri mu mice itatu:

- Ibitungwa.

- Ivyimburwa.

- Ifi.

Ibitungwa navyo bikaba biri mu bice bibiri:

A – Ibitungwa vyo mu misozi.

B – Ibitungwa vyo mu bisagara.

Muri ivyo bitungwa, hariho ibirekuriwe kuribwa n'ibindi bitarekuriwe kuribwa.

قال الله تعالى: " يا أيها الذين آمنوا أوفوا بالعقود، أحل لكم بهيمة الأنعام إلا ما يتلى عليكم غير محلي الصيد وأنتم حرم ". المائدة 1.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Emwe abemeye! Nimwubahirize amasezerano mwiyemeje ku Mana Allah, murarekuriwe kurya ibitungwa kiretse ivyavuzwe ko bizira uruhigi kandi mwamaze kuzirikanye kwinjira I Maka }}. Maida; 1.

**KUBAGA (GUKERERA)**: الذبح

عن أبي يعلى شداد ابن أوس رضي الله عنه قال: قال رسول الله صلى الله عليه وسلم: << إن الله كتب الإحسان على كل شيئ، فإن قتلتم فأحسنوا القتلة، وإذا ذبحتم فأحسنوا الذبحة، وليحد أحدكم شفرته، وليتم ذبيحته >>. رواه مسلم.

Nk'uko yashikirijwe na Abou Yaala Shadadi mwene Awsi (Imana Imwishimire) avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Imana Yategetse kugirira ineza ikintu cose, nimwashaka kwica ikintu, mwice mu buryo bwiza. Kandi nimwabaga (mwakerera) muze mubage mu buryo bwiza, n'umwe muri mwebwe yongere akarishe imbugita yiwe, yorohereze igitungwa ashaka kubaga )). Yakiriwe na: Muslim.

**MU KUBAGA IGITUNGWA, MURI ISLAMU HARIHO UBURYO BUTATU:**

1- Gucumita: النحر

2- Gukerera: الذبح

3- Kwica mu ruhigi: العقر

**IBISABWA MU KUBAGA:**

1- Abe ari Umwislamu.
2- Abe afise ubwenge.
3- Avuge: Bismillahi, Allahu Akbaru.
4- Akoreshe imbugita ikarishe.
5- Akibage neza.

**IGITUNGWA KIBAGWA AHO GITEGEREZWA KWICWA:**

a) Hagati y'izosi n'igikiriza gushika gipfe.
b) Kandi kibe gisanzwe ari kizima.

**INDAHIRO (AYMAAN)** :الأيمان

Muri Islamu, indahiro irarekuriwe n'amategeko, ariko urahire kwa Allah. Nturahire k'umuntu canke ku kintu ico ari co cose kw'isi, atari Allah Wenyene.

Indahiro rero, yemerwa ar'uko warahiye kwa Allah, canke ukoresheje amazina mu mazina y'Imana Allah.

قال الله تعالى: " فيقسمان بالله ". المائدة 107.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Barahire ku Mana Allah }}. Maida; 107.

وقال تعالى: " فأقسموا بالله جهد أيمانكم ". النحل 38.

Imana Uwuhoraho Ivuga Iti: {{ Barahiye Izina ry'Imana Allah, indahiro ikomeye }}.

وقال ﷺ: (( من كان حالفا فليحلف بالله أو ليصمت )). متفق عليه.

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Uwushaka kurahira, ni arahire ku Mana Allahu canke yinumire )). Barayihuriyeko; Bukhari na Muslim.

قال الله تعالى: " قل ادعوا الله أو ادعوا الرحمن ". الإسراء 110.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Vuga uti: Ni musabe Allah canke musabe (Rahmani) Nyenimpuhwe }}. Israi; 110.

Al-Aymaanu: Mu mvugo, ni; Indahiro.

Muri Islamu: Ni ugushimangira ku kintu urahirirako ukoresheje Izina ry'Imana Allah.

- **INDAHIRO RERO ZIRI GUTATU**: أقسام اليمين ثلاثة

1- ***Indahiro y'ukuri***= المنعقدة: Ikaba ku bintu vy'akazoza, canke ku bintu bishoboka. Bishitse nyene kurahira, ikiringo gishitse atarashira mu ngiro ico yarahiriye, atanga incungu.
2- **Indahiro yo gufyina (itari iy'ukuri canke ububeshi)=**اللغو
Nko kuvuga (Oya kw'Izina ry'Imana=Oya Wallahi) canke Ego kw'Izina ry'Imana. Indahiro mwen'iyi nta ncungu (Kafaara) itanga.
قال الله تعالى: " لا يؤاخذكم الله باللغو في أيمانكم ". المائدة 89.
Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Imana Allah ntiyobahanira indahiro (itavuye ku mutima) yo gufyina }}. Maida; 89.
3- ***Indahiro y'ububeshi=*** الغاموس: Iyi ndahiro ntiyemewe kandi ni mu bicumuro bikuru bikuru bihambaye, kandi uwayirahiye ntatanga incungu (Kafaara), kuko iyi ndahiro ayirahira azi neza ko mu mutima wiwe ariko arabesha, ahubwo ico asabwa ni ukwigaya ku Mana.

عن أبي هريرة رضي الله عنه قال: قال رسول الله ﷺ: << خمس ليس لهن كفارة؛ الشرك بالله، وقتل النفس بغير حق، وبهت المؤمن، ويمين صابرة يقطع بها مالا بغير حق....>>. رواه أحمد وحسنه الألباني.

Inyigisho nk'uko yashikirijwe na Abou Huraira (Imana Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Ibintu bitanu nta ncungu babitangira (ku Mana): 1- Ukubangikanya Imana Allah. 2- Ukwica umuntu ataco azira. 3- Ugutuka umwemera Mana. 4- Indahiro y'ububeshi yo kurya amatungo mu manyanga.....)). Yakiriwe na: Ahmadi, maze uwitwa: Albani avuga ko ari nziza ku rugero rugira gatatu).

عن عمر رضي الله عنه قال: قال رسول الله ﷺ: (( إن الله ينهاكم أن تحلفوا بآبائكم )). رواه مسلم.

Nk'uko yashikirijwe na Omar (Imana Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: Mu vy'ukuri, Imana Allah Irababujije kurahira kuri ba so )). Yakiriwe na: Muslim.

**INCUNGU ITANGWA K'UWARAHIYE UKURI AZI KO AZOGUSHIKANA MU NYUMA ISANGO RIKARENGANA:**

Iyo umuntu arahiye mu kuri mu vya kazoza, mu nyuma bikanka ko ashira mu ngiro ico yiyemeje, atanga incungu ya kimwe muri ibi bine, kandi ni ku rutonde, hakurikira ikindi habuze ica mbere:

1- Gufungurira abakene cumi, umwe wese ½ ca Swa'a.
2- Kwambika abakene cumi, umwe wese impuzu ikwiye gusengeramwo.
3- Kubohoza uwuri mu buja w'umwislamu, akomeye.
4- Ivyo vyavuzwe kun tango atavyo ashoboye, ni ugufunga imisi itatu.

قال تعالى: " لا يؤاخذكم الله باللغو في أيمانكم، ولكن يؤاخذكم بما عقدتم الأيمان، فكفارة إطعام عشر مساكين من أوسط ما تطعمون أهليكم، أو كسوتهم، أو تحرير رقبة، فمن لم يجد فصيام ثلاثة أيام ". المائدة 89.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Imana Allah ntiyobahora indahiro zanyu zitari iz'ukuri (zitavuye ku mutima), ahubwo abafatira ku zivuye ku mutima, impongano (incungu) nayo; ni ukugaburira (gufungurira) indya abakene cumi mu vyuo mufungurira abanyu, canke kubambika, canke kubohora uwuri mu buja, uwutabironse ni ukwipfunga imisi itatu }}. Maida; 89.

**IBISABWA KUGIRA NGO HATANGWE INCUNGU KU NDAHIRO Y'UKURI ITASHIZWE MU NGIRO:**

1- Ibe indahiro y'ukuri.
2- Abe yarahiye abishaka.
3- Abe yacumuye kuri iyo ndahiro.

- **IVYAMBARWA**:اللباس

قال الله تعالى: " يا بني آدم خذوا زينتكم عند كل مسجد ". الأعراف 31.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Emwe Bene Adamu! Nimutore ibisharizo vyanyu (impuzu zibereye) uko hageze (umwanya w'isengesho) kuja mu musigiti }}. Aaraf; 31.

Ubwislamu burigisha kwambara neza no gushariza kugira ngo umuntu abe afise isuku umwanya wose ku myambaro.

**MU VYO GUSHARIZA, HARIHO IVYO BAHURIYEKO9 ABAGABO N'ABAGORE, NK'IBI BIKURIKIRA:**

1- Gusukura ku mubiri no ku myambaro.
2- Gukora umushatsi.
3- Kwisiga amavuta.
4- Kwisiga utuntu ku maso (uwanja).

**IBIRABA UMUGORE GUSA MU GUSHARIZA:**

1- Kwambara inzahabu.
2- Kwambara umwakaka.
3- Gusiga ihina ku ntoke no ku mano.
4- Kwambara impuzu yoroshe (ihariri).

**IBISHARIZO BIBUJIJWE KU MUGORE:**

1- Kwongereza umushatsi hakoreshejwe ivyo bita Amameshi canke inyuzi.

قال رسول الله ﷺ: (( لعن الله الواصلة والمستوصلة )).

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Aravumwe n'Imana Allah uwongereza umushatsi n'uwamwongerereje )).

2- Kumwa umushatsi ata ruhusha rw'umugabo wiwe.
3- Kwisiga ibimoga (nka parufe) no kwerekana ibisharizo.
4- Gusongora amenyo.
5- Kwishushanya n'abahakanyi.

**UMWAMBARO URANGA ABAISLAMUKAZI:**

قال الله تعالى: " يا أيها النبي قل لأزواجك وبناتك ونساء المؤمنين، يدنين عليهن من جلابيبهن، ذلك أدنى أن يعرفن فلا يؤذين، وكان الله غفورا رحيما ". الأحزاب 59.

59) {{ Ewe Ntumwa! Bwira abapfasoni bawe n'abigeme bawe n'abagore b'abemera bikwize mu kwifubera inyambaro zabo, ivyo bizotuma bamenyekana ntibabashireko isoni, kuko Imana Allah ni Nyenikigonwe, Nyenimbabazi }}. Ahzab; 59.

**IBINYOBWA**: الشراب

قال تعالى: " وكلوا واشربوا ولا تسرفوا ". الأعراف 31.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Kandi ni murye mwongere munywe, ariko ntimusesagure }}. Aaraf; 31.

Ico ni icemezo muri Koroani yuko turekuriwe kurya no kunywa muri Islamu.

Ariko naho turekuriwe kurya no kunywa, ntiturekuriwe gufungura ivy'ari vyo vyose.

a) Mu binyobwa turekuriwe kunywa, ni vyinshi, navyo bikaba ari vya binyobwa vy'ubwoko bwose bitaboreza, nk'umutobe, ifanta, umusururu utarimwo umwambiro, amazi n'ibindi….
b) Ibinyobwa navyo tutarekuriwe kunywa; Ni ibinyobwa vy'ubwoko bwose buboreza, naho vyongana ima ry'amazi kirazira (haraam).

عن عبد الله بن عمروا رضي الله عنهما قال: قال رسول الله ﷺ: (( ما أسكر قليله فكثيره حرام )). رواه الترمذي وأبو داود.

Nk'uko yashikirijwe na Abdallah mwene Amuri (Imana Ibishimire bompi), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Ibiboreza vyose, vyaba bike vyaba vyinshi, biraziririjwe )). Yakiriwe na: Tirmidhi na Abou Dawud.

Mu bintu biboreza, harimwo na vya biyayura mutwe, nk'urumogi, ikokayine, ihiroyine, n'ibindi vyinshi vyibonekeza ubu…

**<u>IGIHANO GITEGEKANIJWE K'UWANYOYE INZOGA:</u>**

- Inzoga (Al-Khamru), mu mvugo, ni; Ico ari co cose kiyayura umutwe, kizibira no gufuka ubwenge.
- Muri Islamu; Ni ico cose kiboreza, caba umutobe canke ibindi, ibitetse canke ibidatetse.
- Ukuborerwa; Ni uguparangana mu mutwe.
- Inzoga; Ni ikinyobwa gituma umuntu aborerwa iyo akinyoye.
- Imborerwa nayo; Ni wawundi atandukanye n'uwundi akomeye.
- Inzoga irazirir了jwe muri Islamu co kimwe n'ibindi biboreza.

عن ابن عمر رضي الله عنهما قال: قال رسول الله ﷺ: " كل مسكر خمر ". رواه مسلم.

Nk'uko yashikirijwe na Abdallah mwene Omar (Imana Ibishimire bompi), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Ico cose kiboreza ni inzoga )).

Kur'ubwo rero ntibirekuriwe kunywa inzoga, yaba nkeyi canke nyinshi, kandi kunywa inzoga ni mu vyaha bikuru.

قال تعالى: " يا أيها الذين آمنوا إنما الخمر والميسر والأنصاب والأزلام رجس من عمل الشيطان فاجتنبوه لعلكم تفلحون ". المائدة 90.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Emwe abemeye! Mu vy'ukuri inzoga urusimbi (akamari), ibigirwamana, no kuraguza; Ni umwanda mu bikorwa vya satani. Kur'ubwo rero ni muvyirinde kugira ngo murokoke }}. Maida; 90.

Muramenya yuko itegeko ryo kwirinda, ari icemezo co kuziririza inzoga.

عن عائشة رضي الله عنها، أن رسول الله ﷺ قال: (( كل شراب أسكر فهو حرام )). رواه البخاري.

Nk'uko yashikirijwe na Aisha (Imana Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Ikinyobwa ic'ari co cose kiboreza, ni (haraam) kirazira )). Yakiriwe na: Bukhari.

وعن بن عمر رضي الله عنهما مرفوعا: (( كل مسكر خمر وكل خمر حرام )). رواه مسلم.

No ku yindi nyigisho yashikirijwe na Mwene Omar (Imana Ibishimire bompi babiri), nk'uko yayikuye ku Ntumwa (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Ico cose kiboreza ni inzoga, kandi inzoga y'ubwoko ubw'aribwo bwose ni ikizira )). Yakiriwe na: Muslim.

**ICATUMYE INZOGA IZIRIRIZWA MURI ISLAMU:**

Imana Allah Yahaye ingabirano nyinshi kiremwa muntu, muri zo; harimwo ubwenge, butandukanya umuntu n'ibindi biremwa biba kw'isi. Rero kubera inzoga ari ikintu kiboreza kandi gituma umuntu atakaza ubwenge, ikanamutuma gushwana no gutera akajagari hagati y'abemera, ikabuza umuntu gusenga no kwambaza Imana Allah, nico gituma nya nzoga yaciye iziririzwa.

Inzoga rero ingaruka yayo si nziza na gato, kandi ikibi cayo kirahambaye gose, na niyo nzira Satani acamwo mukugirira ikibi Abaislamu.

قال تعالى: " إنما يريد الشيطان أن يوقع بينكم العداوة والبغضاء في الخمر والميسر ويصدكم عن ذكر الله وعن الصلاة ". المائدة 91.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Mu vy'ukuri Satani ashaka abateranye hagati yanyu mu kubashiramwo urwanko no kutumvikana bivanye n'inzoga n'akamari kandi yongere ibegeze kure no kuninahaza Imana Allah hamwe no gusenga }}. Maida; 91.

- **IGIHANO GITEGEKANIJWE K'UWUNYOYE INZOGA:**

1- Ni ugukubitwa ibimoko mirongo ine (inkoni 40), kandi zirashobora kurenga gushika ku mirongo umunani, bivanye n'akigoro k'umumenyi (Imam) agire atange nya gihano, ni nk'uko kandi zishobora no kurenga aho abona ko bikenewe na cane cane iyo abantu barenze urugero mu kwigira agakura mu kunywa inzoga, no kubona ko inkoni yabashiriyeko batakizitinya.

Inyigisho yakiriwe na Ally (Imana Imwishimire) ku nkuru ijanye na Al-Walidi mwene 'Uqubat; (( Intumwa y'Imana yakubise ibimoko mirongo ine (inkoni 40), na Abou Bakar nawe mu kiringo ciwe yarakubise ibimoko mirongo ine (inkoni

40), na Omar mu kiringo ciwe akubita ibimoko mirongo umunani (inkoni 80), ivyo vyose ni Sunna kandi nivyo nkunda )). Yakiriwe na: Muslim.

**IBISABWA KUGIRA NGO UMUNTU AKUBITWE IBIMOKO (INKONI) KUBERA INZOGA:**

1- Kuba ari Umwislamu.
2- Kuba akuze.
3- Kuba afise ubwenge.
4- Kuba yabishaka (atayihatirijwe).
5- Kuba yarazi ko kizira.
6- Kuba yarazi neza ko ico kinyobwa ari inzoga.

**ICEMEZA NEZA KO ASHOBORA GUKUBITWA NI KIMWE MURI IBI BIBIRI:**

1- Kuvyemanga ko yanyoye.
2- Ivyabona bibiri vy'abagabo b'intungane b'Abaislamu.

**AMATEGEKO AJANYE N'IBIYAYURA MUTWE:**

Ibiyayura umutwe; Ni ivyo vyose biyayura ubwenge n'ivyiyumviro vy'umuntu, bituma bituma umuntu anebwa no kuremegwa no kutanezerwa n'ikintu ico ari co cose, nk'urumogi, ikokayine, hiroyine, hashish n'ibindi…

Ibiyayura mutwe vyose, bija mu bintu biboreza mu kuziririza muri Islamu.

**GUKORA URUDANDAZWA RW'IBIYAYURA UMUTWE:**

Mu nyigisho yakiriwe na Jabir (Imana Imwishimire), Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze yuko; Kizira kugurisha inzoga, aho yavuga ati: (( Mu vy'ukuri Imana Allah Yaziririje kugurisha inzoga, icapfuye (intumvyi), ingurube hamwe n'ibisanamu )).

Irasubira ku yindi nyigisho iti: (( Mu vy'ukuri Imana Allah iyo Irinze Iziririza ikintu mumenye yiko Iziririje n'ikiguzi c'ivyo bintu )).

Kuri ubwo rero n'abamenyi bidini bavuze bati: Mu vy'ukuri ivyo Imana Allah Yaziririje nta kamaro bifise, kirazira no kukigurisha no kurya amahera yaco.

**URUDANDAZWA**: كتاب البيوع

Mu mvugo: Ni ugutora ikintu no kugitora.

Muri Islamu: Ni uguhana amatungo n'ayandi matungo, canke guhana ikintu gifise akamaro atari inyungu zo hejuru zitemewe bita intoro (Ribaa).

Urudandazwa rurarekuriwe n'amategeko muri Islamu, bivanye n'amajambo y'Imana Avuga Ati:

" وأحل الله البيع وحرم الربا "

Insiguro: {{ Imana Allah Yararekuriye abantu gukora urudandazwa, Yongera Aziririza inyungu yo hejuru y'ingurane (intoro=ribaa) }}. Bakara 275.

وقال ﷺ: (( البيعان بالخيار ما لم يتفرقا وكان جميعا )).

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Umudandaji n'umuguzi barafise uburenganzira bwo gushima canek kudashima ivyo basezeranye ku rudandazwa, mu gihe bataratandukana bakiri hamwe )).

Ivyo ni no kubaIslamu bahurije  hamwe ku rudandazwa.

**INYINGI ZIGIZE URUDANDAZWA**: أركان البيع

1- Umudandaza n'umuguzi.
2- Ibidandazwa.
3- Amajambo akoreshwa mu kugura no kugurisha. (Umudandaza avuga ati: "Ndagurishije", umuguzi nawe avuga ati: "Ndaguze" ).

**IVYABONA IGIHE CO KUGURA NO KUGURISHA**: الأشهاد على البيع

Ni vyiza kubaho ivyabona igihe co kugura no kugurisha, ariko si ngombwa.

قال تعالى: " فأشهدوا إذا بايعتم ". البقرة 282.

Imana Allah Ivuga Iti: {{ Habe ivyabona igihe c'amasezerano yo kugura no kugurisha }}. Bakara; 282.

**UBURENGANZIRA BWO GUSHIMA CANKE KUDASHIMA (K'URUDANDAZWA): الخيار_ في البيع**

- Kuba umwe wese (umudandaza) afise uburenganzira bwo gushima kugura no kugurisha.
- Mu mategeko iyo bamaze kwumvikana ku kiguzi no gushima mu nzira nziza, si vyiza ku mudandaza canke ku muguzi kwica amasezerano.
- N'uko ikindi naco, Idini rya Islamu ari Idini rikoresha impuhwe , kandi ryitwararika inyungu z'abantu bose.
- Iyo bishitse Umwislamu akagura ikintu canke akagurisha, agaca yidoga, muri ico gihe ararekuriwe kwiyumvira kuneza yiwe kugura canke kutogura (akabivamwo) abanje kuraba ico abona kibereye.

- **<u>IBICE VYO GUSHIMA KUGURA CANKE KUGURISHA</u>**: أقسام الخيار

1- Ahandi bagiraniyeko amasezerano yo kugura no kugurisha, umwe wese afise uburenganzira bwo gushima kugura canke kugurisha mu gihe bakiri hamwe bataratandukana.
2- Gushira itegeko igihe co kugurisha canke kugura, canke umwe muri bo mugushirako ikiringo kizwi c'amasezerano yo kugura canke guheba kugura.
3- Ibidandazwa kuba bifise utunenge, bishitse umuntu akagura ibintu agasanga harimwo utunenge, nyene kugurisha atabimenyesheje canke atabizi, haca hagabanywa igiciro kubera utwo tunenge twibonekeje kubidandazwa.
4- Kuvanga ibintu vyiza n'ibitari vyiza mu bidandazwa, kugira ngo biboneke ko vyose ari vyiza abazimbe, agashira hejuru vyiza kumbe ivyo munsi ari bibi, ico gihe umuguzi afise uburenganzira bwo gusubiza ivyo yaguze kuko bamubeshe.

1- **AMATEGEKO AJANYE N'URUDANDAZWA**: شروط البيع

Gushima hagati y'umudandaza hamwe n'umuguzi:

قال الله تعالى: " يا أيها الذين آمنوا لا تأكلوا أموالكم بينكم بالباطل إلا أن تكون تجارة عن تراض منكم ". النساء 29.

Uwuhoraho Imana Allah Ivuga Iti: {{ Emwe abemeye! Ntimurye amatungo hagati yanyu mu nzira mbi, kiretse ari urudandazwa mushimye ko muhanahana }}. Nisai; 29.

وعن أبي سعيد رضي الله عنه من حديث طويل قال: قال رسول الله ﷺ: (( إنما البيع عن تراض )). أخرجه ابن ماجه.

Kandi nk'uko yashikirijwe na Abou Saidi (Imana Imwishimire) mu nyigisho (Hadithi) ndende, avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Mu vy'ukuri urudandazwa bivana no gushima k'umudandaza n'umuguzi )). Yakiriwe na: Ibnu Majah.

2- **UMUDANDAZA ABE ASHOBORA GUKORA AVUZE, AFISE N'UBWENGE KANDI YIDEGEMVYA:**
3- **IBIDANDAZWA BITEGEREZWA KUBA ARI VYA NYENE KUDANDAZA CANKE ABE ASHINZWE NA NYENEVYO:**

Ntivyemewe ko umuntu yogurisha ibitari gwiwe.

عن حكيم بن حزام رضي الله عنه يقول: أتيت رسول الله ﷺ، فقلت: يأتي الرجل يسألني من البيع ما ليس عندي، أبتاع له من السوق ثم أبيعه؟ قال ﷺ: (( لا تبع ما ليس عندك )). رواه الترمذي والنسائي.

Nk'uko yashikirijwe na Hakimu mwene Hizam (Imana Imwishimire), avuga ati: Nagiye ku Ntumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), maze mvuga nti: Umuntu arashobora kuza ambaza ibidandazwa ntagira, nobimugurira mw'isoko hanyuma nkamugurishako? Intumwa (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ivuga iti: (( Ntugurishe ibitari gwawe )). Yakiriwe na: Tirmidhi na Nasai.

**4- <u>IBIDANDAZWA BITEGEREZWA KUBA MU BIFITIYE AKAMARO ABANTU:</u>**

Bibe bifitiye abantu akamaro kandi birekuriwe n'amategeko, ivyo navyo ni: Ibiryo, ivyambagwa n'ibindi….

Ntibirekuriwe muri Islamu kudandanza canke kugurisha ibitarekuriwe n'amategeko, kandi bidafitiye akamaro abantu. Aho twovuga nk'inzoga, ingurube, icapfuye (intumvyi), n'ibikoresho vy'imiziki n'ibindi….

عن جابر ابن عبد الله رضي الله عنه قال: قال رسول الله ﷺ: (( إن الله حرم بيع الخمر والميتة والخنزير والأصنام )). متفق عليه.

Hisunzwe inyigisho (Hadithi) ya Jabir mwene Abdallah (Imana Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Mu vy'ukuri Imana Allah Yaraziririje kugurisha inzoga, n'intumvyi (icipfishije), n'ingurube hamwe n'amasanamu )). Bayihurijeko: Bukhari na Muslim.

عن ابن عباس رضي الله عنهما، أن النبي ﷺ قال: (( إن الله إذا حرم على قوم شيئا حرم ثمنه )). رواه أحمد وأبو داود.

Inyigisho yashikirijwe na Mwene Abbas (Imana Ibishimire bose), mu vy'ukuri Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Mu vy'ukuri iyo Imana Allah Iziririje ikintu kuribwa, Iba kandi Iziririje gutora ikiguzi cavyo )). Yakiriwe na: Ahmad na Abou Dawud.

وعن ابن مسعود رضي الله عنه قال: قال رسول الله ﷺ: (( حرم الله ثمن الكلب )). متفق عليه.

Nk'uko kandi yashikirijwe na Mwene Masoud (Imana Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Imana Yaraziririje ikiguzi c'imbwa )). Bayihurijeko: Bukhari na Muslim.

5- **IBIDANDAZWA BIBE BISHOBORA GUSHIKIRIZWA NYENEVYO (UWABIGUZE):**

Ntiharekuriwe kugurishwa ibidashobora gushikirizwa: Aho ni nk'ibitahari canke ibitazwi, kuko vyoca bija ku rutonde rw'ibidandazwa vy'amahinyu.

Akarorero: Nk'ifi ziri mu mazi, canke amata akiri mu maberebere y'inka, canke inyoni iri mu kirere.

**وفي الحديث: (( نهى رسول الله ﷺ عن بيع الغرر )).**

No mu nyigisho yindi y'Intumwa hagira hati: (( Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yarabujije urudandazwa rurimwo amahinyu )).

6- **IBIDANDAZWA BITEGEREZWA KUMENYEKANA IVY'ARIVYO:**

Kuko bisaba kubibona n'amaso, n'aho biri mu gihe co kugura (mu masezerano).

7- **IGICIRO C'IBIDANDAZWA KIBE KIZWI:**

Aho ni mu gushinga ibiciro c'ivyo bidandazwa no kumenya ikiguzi.

- **URUDANDAZWA RUBUJIJWE GUKORWA**: البيوع المنهي عنها

Hari urudandazwa rubujijwe gukora bivanye n'imvo zitandukanye, nk'urudandazwa rukubuza gukora ibikenewe gusumba ibindi mw'Idini, canke rukubuza gukora ibikorwa wategetswe n'Imana Allah. Canke urudandazwa rutuma abandi batoroherwa bakononekerwa.

***Muri urwo rudandazwa:***

1- Kugurisha inyuma y'ihamagara rya kabiri ku musi wa gatanu (Ijumaa):

قال الله تعالى: " يا أيها الذين آمنوا إذا نودي للصلاة من يوم الجمعة فاسعوا إلى ذكر الله وذروا البيع، ذلكم خير لكم إن كنتم تعلمون ". سورة الجمعة 9.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Emwe abemeye, nimwaterwa akamo ko gusenga ku musi wa gatanu (Ijuma), nimunyaragase kuninahaza Imana murekane n'ibidandazwa, ivyo nivyo vyiza kuri mwebwe iyaba mwari mubizi }}. Jumua; 9.

Kandi n'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yarabujije urudandazwa muri ivyo bihe.

2- Kugurisha ibintu ku muntu agiye kubikoresha mu nzira yo gushavuza Imana Allah.

قال الله تعالى: " وتعاونوا على البر والتقوى ولا تعاونوا على الإثم والعدوان " المائدة 2.

Uwuhoraho Allah Avuga Ati: {{ Nimufashanye mu bintu vyiza no gutinya Imana Allah (mu kubahiriza amategeko), ntimufashanye mu bintu bibi vy'ibicumuro no mu rwanko }}. Maida; 2.

3- Kirazira ko Umwislamu agurisha aduza igiciro canke agabanya kw'igurisha rya mwene wabo:

Nk'uko umuntu yogura ikintu ku giciro c'amafranga igihumbi, uwundi mudandaza agaca amubwira akireke wewe aza ku kimuronsa ku mafranga amajana atanu canke aza kumuha igisumba ico yaguze kuri ico giciro nyene.

قال رسول الله ﷺ: (( ولا يبع بعضكم على بيع أخيه )).

Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Ntihagira uwugurisha hagati yanyu kwigurisha rya mwene wabo )).

4- Kugurisha ikintu utaragishikira:

عن أبي هريرة رضي الله عنه قال: قال رسول الله ﷺ: (( من ابتاع طعاما فلا يبيعه حتى يقبضه )). رواه البخاري ومسلم.

Nk'uko yashikirijwe na Abou Huraira (Imana Imwishimire), avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze Iti: (( Ntihaze hagire uwugura ivyo kurya atarabironka )). Yakiriwe na: Bukhari na Muslim.

5- Kirazira kugurisha ivyamwa bitarahishira:

Aho ni ugutinya ko ivyamwa bitarahishira vyohava vyononekara canke kwibonekeza utunenge ku vyamwa.

عن عبد الله وأنس رضي الله عنهما قالا: قال رسول الله ﷺ: (( أرأيت إن منع الله الثمرة بم يأخذ أحدكم مال أخيه )).

Nk'uko yashikirijwe na Abdallah na Anas (Imana Ibishimire bose), bavuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze iti: (( Ubona gute bishitse Imana Allah Ikagira gutya, maze ivyamwa ntibiboneke, woba utwaye amafranga y'uwundi witwaje iki ))!?.

6- Kirazira kandi kuduza igiciro ku bidandazwa:

Aho ni nko mu gihe umudandaji adashaka kurekura ibintu vyiwe, kugira ngo abantu bazobigureko vyamaze kuduga igiciro.

عن ابن عمر رضي الله عنهما، أن رسول الله ﷺ: (( نهى عن بيع النجشي )). رواه أحمد.

Nk'uko yashikirijwe na Mwene Omar (Imana Ibishimire bose), mu vy'ukuri Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yarabujije kuduza ibiciro ku bidandazwa )). Yakiriwe na: Ahmad.